# REPUBURIKA Y'UBURUNDI

## IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

Tel: +257 77 535 000
E-mail: bic@kwantare.gov.bi
Site web: www.kwantare.gov.bi

**IBIRO BIJEJWE KUMENYESHA AMAKURU**
Facebook: /PresidenceBurundi
Twitter: @KwaNtare

# ITANGAZO KU BIMENYESHAMAKURU

Umukuru w'igihugu ca Uganda, Nyenicubahiro Yoweri Kaguta MUSEVENI yavuganye na Nyenicubahiro Varisito NDAYISHIMIYE, Umukuru w'igihugu c'Uburundi, kw'iterefone, kuri uyu w'Imana igenekerezo rya **17 Nzero 2021.**

Umukuru w'igihugu c'Uburundi yakeje Prezida MUSEVENI ko yaraye asubiriye kwizerwa mu gutorwa ngo abandanye arongoye igihugu ca Uganda, yongera amwipfuriza umwaka mwiza w'2021 no kuroranirwa mu mabanga yo kurongora igihugu, no kubandanya ari Kirumara mu b'ibihugu vyo mu karere ka Afrika y'Ubuseruko.

Abakuru b'ibihugu vyompi bumvikanye kubandanya bashigikirana mu guteza imbere ibihugu vyabo n'akarere, mbere no kubandanya bashigikira amahoro hirya no hino kw'isi, nk'uko Uburundi na Uganda buriko buritanga muri Somariya.

**Amb. Willy Nyamitwe**
*Umukuru w'Ibiro bijejwe Amakuru*